Umurongo wo gushigikira abageze mu za bukuru barwaye COVID-19

Umurongo wo gushigikira abageze mu za bukuru barwaye COVID-19 utanga inkuru, ugashigikira kandi ugashiraho ubucuti bw'abageze mu za bukuru bo muri Australia.

Abantu bamwe bageze mu za bukuru barabangamiwe na COVID-19 ariko kandi bakaba batari ku murongo wa'ubuhinga ngurukanabumenyi kandi bakaba bakeneye uburyo bwo gushikira inkuru zerekeranye n'ibihe barimwo. Umurongo wo gushigikira abageze mu za bukuru barwaye COVID-19 utanga inkuru n'imfashanyo.

Abageze mu za bukuru bo muri Australia, imiryango yabo, incuti n'abarezi bashobora guhamagara ku buntu 1800 171 866 iyo:

- Wipfuza kuvugana n'uwundi muntu ku bijanye n' inzitizi za COVID-19 hamwe n'ingaruka izo nzitizi zigira kuri abo bageze mu za bukuru
- Wumva ko uri wenyene canke ufise ubwoba bw'abo ukunda
- Witayeho umuntu kandi ukaba ukeneye inkuru kanaka canke umuntu mugomba kuvugana
- Ukeneye imfashanyo canke impanuro yerekeranye n'uguhindura ibijanye n'ibikorwa bikorerwa abageze mu za bukuru bakorerwa
- Ukeneye imfashanyo y'ugushikira ibikorwa bishasha bijejwe kwitaho n'ukwitwararika abageze mu za bukuru canke ibintu ngombwa bikorerwa abageze mu za bukuru nko kuja kubasumira
- Igihe bafise umwitwarariko w'ubuzima bwabo, umugenzi canke umuntu wo mu muryango wabo agendana ingwara y'urwibe, ukwibagira gutumwa n'ubusaza
- Yipfuza gutegekanya ukuja kwisuzumisha rimwe na rimwe canke kenshi canke uwundi muntu uwo ari we wese.

Abageze mu za bukuru bo muri Australia, incuti zabo, ababaitwararika, abagenzi canke ababashigikira bashobora:

- Guhamagara kuri **1800 171 866**
- Muri aya masaha 8.30am – 6pm AEST mu misi yo hagati mw'iyinga
- Iyindi nkuru iyo ari yo yose canke ibikorwa bashobora kuba bakeneye.

Umurongo wo gushigikira abageze mu za bukuru barwaye COVID-19 ni iciyumviro ciyumvirirwe, kigakorerwa hamwe n'aba bakurikira:

- COTA Australia,
- Ingwara y'urwibi muri Australia,
- Abakurambere bo mu gihugu na
- OPAN,
- Bashigikiwe n'uburyo buva muri Reta ya Australia.

Ibikorwa bishigikira ivyo gusigura no gusobanura (TIS)

Abageze mu za bukuru bo muri Australia batavuga Ikingereza bashobora:

- guhamagara kuri TIS National kuri iyi nomero 131 450,
- gusaba umusiguzi, umusobanuzi, kandi
- gushirwa ku murongo wo gushigikira abantu bageze mu za bukuru barwaye COVID-19 canke basubiremwo inomero 1800 171 866 kugira ngo babone kuvugana.